**IJAMBO RISHIKIRIJWE NA NYENICUBAHIRO UMUKURU W'IGIHUGU, KU MUSI WO GUTANGUZA RUSANSUMA NKURU Y'ABENEGIHUGU, UBURARO, UBURIMYI N'UBWOROZI**

- **Banyakubahwa Mwese, Umwe wese Mu cubahiro Imana yamuhaye,**

**TUGIRE AMAHORO !**

1. **Mbanje gushimira Imana Mushoboravyose yo yama ibana na twe ku musi ku musi, no ku vyiza vyinshi idahengeshanya gukorera Uburundi n'Abarundi, tuyikomere amashi menshi cane mu kuyikengurukira.**

2. **Kuri uyu munsi turamutse dutanguza icese ibirori vyo kwugurura ibikorwa bijanye na Rusansuma Nkuru y'Abenegihugu, Uburaro, Uburimyi n'Ubworozi iziba nyezina mu mwaka w'i 2022, turanezerewe no kubabona mwaje muri benshi kwifadikanya na twe muri bino bikorwa ; ivyo bikatwereka ko ikibanza n'agaciro muha iki gikorwa ca rusansuma, ari ntangere mu buzima bw'igihugu, kandi ko mushigikiye iterambere ry'Igihugu. Abarundi iyo bumvise Rusansuma, bama bagira ubwoba kuko bibaza ico igamije ivyo bikava kuri kahise igihugu caciyemwo.**
3. **Ni vyo, Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU risaba ko igihugu cose gihurikiye muri ryo, gitunganya Rusansuma uko imyaka icumi iheze.**

Ni muri iyo ntumbero, mu Burundi, iyo Rusansuma igira kane yari kuba yakozwe mu mwaka w'i 2018, ikaba igiye gutunganywa mu mwaka w'i 2022 buca dutangura, kugira ngo, igihugu cacu cisunge indinganizo ijanye n'itunganywa rya Rusansuma no mu muryango w'ibihugu vyo Karere ka Afrika y'Ubuseruko Uburundi busanzwe burimwo.

4. Iyo rusansuma rero izofasha gushira ahabona ibiharuro bigezweko ku bijanye n'abenegihugu, uburaro, uburimyi n'Ubworozi, maze ivyo biharuro bifashe Reta kwunganira imigambi y'iterambere ry'igihugu yisunze ivyo abenegihugu bakeneye.
Ivyo biharuro bizofasha kandi ishirahamwe ONU n'ibisata vyaryo, abasanzwe badusahiriza mw'iterambere n'abo bose bakurikirana ubusumbasumbane bw'iterambere ry'ibihugu vyo kw'isi, kumenya neza ikibanza c'Uburundi mu bijanye n'ubutunzi cane cane mu burimyi n'ubworozi, ugufungura neza no kubaho kwiza kw'abenegihugu. Ivyo nivyo bishobora kwerekana neza ingene umwenegihugu abayeho haba mu mikoro canke mu Buzima.

- Banyakwubahwa mukoraniye ngaha,
- Batumire bahire,
- Na mwe mwese mwitavye bino birori,

5. **Reta y'Uburundi yarashizeho ishusho y'ingene Uburundi buzoba bumeze mu 2025.**

**Kugira dushobore gusuzuma aho tugeze, uruhara rw'ibiharuro ni ntangere kuko bituma Reta imenya ibisata vyokwisungwa mu kugwiza umwimbu kugira dushike kuri iri hangiro.**

**Ico twifuza nyamukuru ni ukugwanya ubukene. Intango ya vyose twarabonye ko dutegerezwa gukora uko dushoboye kugira umunwa wose uronke ico ufungura, umufuko nawo uronke amahera. Ayo mahera nayo ntakindi tuyashakira atari kugira ngo umuntu wese ashobore kwikwiza mu vyo akeneye.**

**Tuzokwemera ko Uburundi buteye imbere, umurundi wese afungura neza, aryama heza (mu nzu nziza, anywa amazi meza, afise umuyagankuba, yambara impuzu zisukuye, ibirato,…), ashobora kwiga neza akigisha umwana wiwe, yivuza neza, ashobora kuronka aho yinezerereza n'ingene yinezereza, ashobora kwiziganiriza kazoza.**

**Kugira tubishikeko ni urugamba; rwa rugamba rwo kugwanya ubukene nama nabahamagariye gutondako. Umwenegihugu wese abwirizwa gukora, gurtyo turwize akazi n'ubutunzi bw'igihugu.**

6. **Mu vy'ukuri, mu rugamba rwo kurwanya ubukene, nta n'umwe akwiye gusigara inyuma.**

**Ni co gituma igikorwa co gutororokanya ibiharuro biciye muri Rusansuma Nkuru y'Abenegihugu, Uburaro, Uburimyi**

n'Ubworozi ari igikorwa gikomeye cane giha ishusho y'ukuri igihugu, kuko ivyo biharuro bitubera nk'umunzane upima aho igihugu kigeze mw'iterambere ry'abenegihugu mu bijanye n'ingene babayeho, uko bakika umusaya n'aho bakura amikoro. Tumaze kumenya ivyo, niho Reta ica ihera kugira ngo ironke aho ifatira mu gutera izindi ntambwe mw'iterambere rya bose.

7. Nkako dusanzwe tuzi neza ko iterambere rihera mu ngo, mu kibano, ku mutumba, rikaduga muri komine, intara, rigashwara igihugu cose.

   Ibiharuro bizova muri iyi Rusansuma Nkuru igiye gukorwa, bizodufasha rero mu ngo zacu, kwisuzuma no kubona aho turiko tugwiza umwimbu, n'aho twadebukiwe, gurtyo bidufashe kwigira inama. Nizeye ko kuva ubu abantu bagiye kuja ku kivi kugirango isuzuma rizobasange bisuganije bameze neza, kuko mu migenzo y'ikirundi ntawuhaya ubukene.

8. Mubitahuye uko, nta makenga dufise rero ko ibiharuro bizova muri Rusansuma Nkuru y'Abenegihugu, Uburaro, Uburimyi n'Ubworozi yo mu mwaka w'i 2022 bizoba ari ibiharuro vyiza kandi bitosoye,

   bizofatirwako mu bikorwa bitandukanye vyo gutera intambwe mw'iterambere ata n'umwe asigaye inyuma.

   Nkuko turi ku rugamba rwo kugwanya ubukene, nkaba ndi kizigenza muri urwo rugamba, nagira ndababwire ko hagize uwuzosiba azoba adutobeye kuko intwazangabo itazi ukuri

kwivyo agwanya, yikangurira gutsindwa. Ntitwogwanya ubukene tutazi aho bwicariye.

- Banyakwubahwa Mwese Mukoraniye ngaha umwe wese mu cubahiro ciwe,

9. Rusansuma nkuru y'Abenegihugu, Uburaro, Uburimyi n'Ubworozi yo mu mwaka w'i 2022 nk'uko na mwe muvyumva no mw'izina, iratandukanye n'izindi zari zimaze gukorwa, kuko zozo zagarukira kuri Rusansuma y'Abenegihugu n'Uburaro gusa.
Iyi Rusansuma izofasha no gutororokanya ibiharuro bijanye n'uburimyi n'ubworozi. Nayo ibizovamwo navyo, ni vyo bizofasha Reta mu gushira mu ngiro umugambi wo guteza imbere bimwe biboneka igisata c'Uburimyi n'Ubworozi mu ntumbero yo kukigira ngenderwako mu kugwanya ubukene,

maze rya hangiro ry'ingene dushaka ko Uburundi bwoba bumeze mu mwaka w'2025 turishikeko bidatevye kuko hasigaye imyaka itatu gusa.

10. Muri iyi Rusansuma kandi, igikorwa co gutororokanya ibiharuro kizokorwa hakoreshejwe ubuhinga bwa none, mu gihe

**Rusansuma zitatu zari zimaze gukorwa, ibiharuro vyatororokanywa hakoreshejwe impapuro.**

**Ibi ni vyo bizotuma umwanya wokozwemwo iyo Rusansuma ugabanuka. Nico gituma dusaba ko twese twobangukira ico gikorwa kuko uwuzosamara azosanga akanyoni karuye.**

- **Banyakwubahwa Mwese Mukoraniye ngaha umwe wese mu cubahiro ciwe,**

**11. Basokuru barayamaze bati : « Tubiri tuvurana ubupfu », kandi ngo : « Ukuboko kumwe kuriyaga ntikwimara uburyi », uno musi naho tuvuga tuti: « TURI KUMWE TWESE BIRASHOBOKA ».**

**Rusansuma Nkuru y'Abenegihugu, Uburaro, Uburimyi n'Ubworozi yo mu mwaka w'i 2022 ni igikorwa kizokorwa ku rwego rw'igihugu kandi kizosaba uburyo butari buke. Nico gituma twikora no ku ntererano y'abagenzi kuko ntawifasha urubanza.**

**Ku ruhande Reta y'Uburndi, mu mafaranga azokoreshwa uwu mwaka, haramaze gutegekanywa amafaranga imiriyaridi zibiri (2.000.000.000) zizofasha mu gutunganya ineza ivyo bikorwa vya Rusansuma.**

12. Tuvuze intambwe tugezeko mu nteguro, turashimira abagenzi bamaze kugira ico bakoze haba mu nteguro canke mu bindi bikorwa bijanye niyo Rusansuma.

Aha twovuga nk'Ishirahamwe Mpuzamakuru Rijejwe Igwirirana ry'Abantu, FNUAP, rimaze gutanga uburyo bwo gushigikira ibikorwa vyo gutegura inzandiko zizokwisungwa,

hamwe n'igikorwa co gukora ibicapu ndondantara, komine n'imitumba bizokoreshwa muri ivyo bikorwa vy'ibanze vy'iyo Rusansuma.

Turashimiye kandi dutera intege Ubushikiranganji bw'Ikigega ca Reta hamwe n'ikigo c'igihugu kijejwe gutorororokanya ibiharuro mfatirwako (ISTEEBU), kuri iyi ntambwe bagezeko, tubifurije kubandanya bagira ingoga muri ico gikorwa.

-  Banyakwubahwa Mwese Mukoraniye ngaha umwe wese mu cubahiro ciwe,

13. Abarundi bose n'abanyamahanga baba mu gihugu, tubahamagariye kwitabira iyi Rusansuma tubasaba kandi kuzokwishura neza ibibazo bazobabaza, kuko, ibiharuro vyiza bifasha mw'iterambere ry'igihugu, bigatanga ishusho ry'ingene ibisata bitandukanye vyifashe mu gihugu, bikerekana kandi n'ahakwiye gushirwa inguvu nyinshi mu guteza imbere igihugu.

14. Duhamagariye rero abajejwe intwaro n'abarongozi bose, haba mu mashengero akorera mu Burundi n'abandi, gufasha cane ico gikorwa, bahimirize, bame hafi y'abazoba bariko

barakora ico gikorwa hamwe n'abenegihugu, kugira ntihagire urugo na rumwe rwobura ayo mahirwe canke ngo ruhave rutanga inyishu zitari zo.

Mwese mumenye ko abatazokwitaba rusansuma bizoba bisa nuko batari mu gihugu.

15. Abenegihugu bose, tubasavye kwitegurira kwakira ibiharuro bizova muri urwo rusansuma, babikorereko, bahindure mbere n'ingendo gurtyo bikubite agashi, maze baterere mu gushira mu ngiro umugambi wa Reta wo kuvyara ku rugero.

Nta wutabizi, agataka k'Uburundi ni gato kandi ntikaguka; tuvavanure rero na ya ngeso mbi ngo « Ndavyara, Reta izorera ».

16. Mu kurangiza, twagire dutere akamo mwebwe abazokora rusansuma gukoresha neza ubuhinga,

kugira mutororokanye ibiharuro, bizofasha mw'iterambere ry'igihugu.

Muzokorane ubwira n'ubukerebutsi kugira umwanya wategekanijwe w'imisi mirongo ibiri n'umwe (21) uzokwubahirizwe, kandi n'ingo zose zizoshikirwe kugira ziterere mw'iterambere ry'igihugu.

17. Ni kuri ayo majambo y'impanuro tumenyesheje ko twuguruye icese ibikorwa vya Rusansuma Nkuru y'Abanyagihugu, Uburaro, Uburimyi n'Ubworozi y'umwaka w'2022.

**Niharambe ibiharuro vyiza kandi bitosoye,**

**Niharambe iterambere rirama mu Gihugu cacu c'Uburundi,**

**Imana ihezagire Uburundi n'Abarundi,**

**Murakoze.**